LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

**N°541 Co kuva kuwa 24 gushika 30 Myandagaro 2026**

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 30Myandagaro2026, abantu bashika 876 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 789 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivye-rekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

**IBIRIMWO**

*0. INTANGAMARARA......5*

*I. UMWIHWEZO ......5*

*II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI PORITIKE......9*

*III. UBURENGANZIRA BW'IMIBANO'UBUTUNZI N'IMICO KAMA......13*

*IV. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI. ......14*

***INDINGANIZO NSHASHA YO Y'INTWARO KUVA KUWA16 NTARANTE 2023***



# *IMPFUNYAPFUNYO*

**CDS** **: Ikigo c'ubuvuzi**

**CECI** **: Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora muri komine**

**CEPI** **: Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora mu ntara**

**CNDD-FDD** **:** *Inama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-urunanirukingira intwaro rusangi (umugambwe uri ku butegetsi)*

**CNL** **: Ihuriro ry'igihugu riharanira umwidegemvyo**

**RN** : Ibarabara ry'igihugu

**FDLR** : Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza u Rwanda

**AFC** : Alliance Fleuve Congo

**M23** **: Umuhari wo ku wa** 23 Ntwarante

**RDC** : République Democratique du Congo

**ECOFO** : Ishure shingiro

0. INTANGAMARARA....5

I.UMWIHWEZO ....5

I.1.UMWIHWEZO WA PORITIKE ....5

I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO ....6

I.3.UMWIHWEZO W'INTWARO ....8

II. UBURENGANZIRA BWO KWIGENGA NO MURI PORITIKE ....9

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA ....9

II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE ....9

II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABO MURI RETA....9

II.1.1.2. ABANTU BISHWE KUBERA UKWIHORA ....9

II.1.1.3. ABANTU BISHWE N'ABATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE....10

II.2. UBURENGANZIRA BW'UKUDAHOHOTERWA....10

II.2.1. UKUBOREZWA IGUFA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA HAMWE NO GUSUZUGUZA....11

II.2.2. UGUSHURASHUZA....11

II.3. UBURENGANZIRA BW'UMWIDEGEMVYO....11

II.3.1. UBURENGANZIRA BWOGUSHIKIRIZA IVYIYUMVIRO....12

II.3.2. UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO....12

III. UBURENGANZIRA BW'IMIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA ....13

III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI....13

IV. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI....14

IV. 1. UBURENGANZIRA BW'ABANA....14

V. UGUSOZERA N'IBISABWA....14

## *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi mundwi yo kuva kuwa 24 gushika ku wa 30 Myandagaro 2026.Muri iki cegeranyo,umuhari Iteka uranihweza ivya poritike,umutekano,hamwe n'intwaro. Kirasuzuma kandi ibintu vyerekana ihonyangwa ry' agateka ka zina muntu no muri poritike vyaranze iyi ndwi.

Ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryibonekeje kandi ryemezwa n'umuhari Iteka rimeze ugukwirikira: n' imiburiburi abantu 8 barishwe,harimwo 3 batowe ibiziga n'umwana yishwe hamwe n'umwana yapfuye ahitanywe n'igitero c'ingona. Umwana 'umukobwa 1 yarakorewe amabi afatiye ku gitsina mu gushurashuzwa, umuntu umwe yafashwe bunyanaswa akanasuzuguzwa, hamwe n'abantu 6 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko harimwo abasirikare 5 n'umuporisi umwe.

Ahanini abikekwa ko ayo mabi ni abaporisi,urwaruka rw' Imbonerakure zihurikiye mu mugambwe uri ku butegetsi,CNDD-FDD.

## *I. UMWIHWEZO*

### *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE*

**Imbonerakure ziyunguruza ku bwinshi zigana i Gitega muri komine Karusi.**

Mu gitondo c'uwa 2026, hafi isaha 10 zishira ubuca, amakamyo atwaye imbonerakure hamwe n'abandi banywanyi ba CNDD-FDD yaciye kw'ibarabara ry' igihugu RN 12 agana i Gitega,ahabera kwigina umusi wahariwe imbonerakure.Abo bantu bagenda baravyina ibihayagiza umugambwe bongera batera ubwoba abatari mu mugambwe uri ku butegetsi.Benshi muri izo mbonerakure bari bambaye umwambaro ugizwe n' amapantaro hamwe n'amashati ya kaki,hamwe n'ibotine zisa uko nyene.Abanyagihugu baribaza ko bishoboka ko ari ikindi gisoda c'uBurundi.

Itunganywa ry'uwo musi ryari rikomeye,ririmwo uburyo bwateguwe neza hamwe n'ibimenyeshamakuru vy' igihugu.Ku civugo gikwegakwega«Ivyiyumviro bishasha, intumbero nshasha: urwauka,inkingi y' amahoro, y'umutekano hamwe n'iterambere rirama », ukwo kwigina vyaranzwe n'umwitwarariko hamwe n' ugusayanana kwavyo.

Ariko rero,uwo muvuduko w'igitangaza uranyuranye cane n'ibinyegeje kenshi bikikuje umusi w'igihugu na mpuzamakungu w'urwaruka. Ubwo budasa bwerekana intambamyi ikomeye ku bijanye n'ukudakumira,mugihe c'ishirwa mu ngiro y'imbona kazoza y'uBurundi 2040-2060.Umuhari Iteka urarajwe ishinga n'ivyo bintu ku bisata shingiro vyinshi,

Ubwambere,warabonye ko hariho urwaruka ufise imivuduko ibiri.Urwaruka rw'Imbonerakure rurahabwa amahirwe y'uburyo nk'ubuva mu mashirahamwe y' uburimyi n'ubworozi,ingurane zishika kuri miriyaridi 300 y'amahera y'amarundi hamwe n'ukuboneka mu vya Reta,bigatuma haba ikumirwa mu rwaruka rutari mu mugambwe uri ku butegetsi.

Vyongeye,hagati y'umugambwe na Reta biravangana. Umukuru w'igihugu,nk'umukuru w'inama nkuru y'inararibonye muri CNDD-FDD muri uwo musi mukuru,naho yemewe n'amategeko ku rwego rwa poritike,asa n'uwuvuguruza akaranga k'uwariwe wese muri poritike y'igihugu kuvyerekeye urwaruka.Kurundi ruhande,ukonywanisha mu kivano vyarasubijwe inyuma.Mubisanzwe,ikete ryanditswe kuwa 24 Myandagaro 2026,ryandikiwe umugwi w' ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe,ryanditswe n'amashirahamwe yigenga 40,arashikiriza ukuntu baguma baburabuzwa hamwe n'ubwoba bwo gushikiriza ivyiyumviro mu rwaruka rutari mu mugambwe ni intambamyi zikomeye ku bushobozi bw'abanyagihugu.

Kuri ivyo,umuhari Iteka usaba kuboneraho akaryo ku munezero hamwe n'ubushobozi mu guhimiriza vyakabuwe n'umusi wahariwe Imbonerakure, kugira bashireho poritike y'igihugu y'urwaruka rudakumira. Ivyo vyotegerejwe gukorwa hisunzwe ingingo ya 27 y'ibwirizwa shingiro ry'u Burundi hamwe n' amasezerano y'ubumwe bw'urwaruka muri Afirika. Hamwe urwaruka rw'u Burundi rwose woronka amahirwe angana ku butunzi,kw'iugurwa n'ukuja muvyo igihugu,haba abari mu mugambwe canke abatawurimwo, kandi ku bakobwa bose n'abahungu, birashoboka ko urwaruka ruba inkingi y'amahoro nyayo, aho gugatwa nk'imvo yo gucanamwo .

## *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE* *(Ibikurikira urupapuro 5)*

**Ukwerekana inkomezi vyakozwe n'imbonerakure muri komine Gisagara, intara ya Buhumuza.**

Umusi wa gatandatu igenekerezo rya 29 Myandagaro 2026 waranzwe n'ibikorwa vyungikanye vy'umugambwe CNDD FDD.

Nko mu makomine yose,impera y'indwi yaranzwe n'ukwerekana ubukomezi ku rwaruka ruhurikiye muri uwo mugambwe ku musi wahariwe « Imbonerakure ». Muri komine ya Gisagara,uwo musi watanguye n' urugendo rw'umunezero rw'urwaruka rw'imbonerakure, ibirori bikaba vyabereye ku mugwa mukuru wa komine.Abitavye urugedo bari bambaye udupira tw' umugambwe hamwe n'amapantaro asa n'ayo imyimenyerezo y'abasirikare.

Muri ico gikorwa,indirimbo zarasamiranye,zirimwo amajambo amwe amwe nka: « abakeba ntibakorako, uwuzotwitambika imbere azokabona, intsizi turayibona 100 %, abipfuza ubutegetsi nibateshwe bate, nibarindire imyaka 500. »Inyuma y'urugendo,amajambo ajanye n'umusi yaravuzwe.Mu gihe c'ayo majambo,umukuru w'umugambwe CNDD FDD muri komine Gisagara,NDAYISABA Frédéric, yarakengurutse ishaka ry'urwaruka rw' Imbonerakure mw'iterambere rya komine hamwe no kubungabunga amahoro n'umutekano.Uwo musi wabaye kandi akaryo ko gusangira imfungurwa kama.Vyongeye, haravuyemwo ugushira umukono ku masezerano y'abatwara ama zone n'abatwara umugambwe muri zone,bemera kuronka amajwi 100% mu matora yimirije y'umukuru w'igihugu mu karere bajejwe umwe umwe.Abarorerezi bafata ayo masezerano nk' uburyo bw'umugambwe uri ku butegetsi ugamije gutegura ubusuma bw'amatora mu matora y'umukuru w'igihugu yimirije.

Ivyo bikorwa vya poritike vyabaye mu makomine yose ya diyoseze yacu,nka Butaganzwa, Cankuzo, Gisagara, Gisuru na Ruyigi. Hose,ubutumwa bwari bumwe kandi amasezerano yarashizweko umukono n'abatwara amazone hamwe n'abaramutswa umugambwe CNDD FDD mu mazone kugira baronke intsinzi y'100% mu burere bajejwe.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

**Umugabo umwe yarazibuwe imbugita muri komine Rutana mu ntara ya Rutana.**

Ku musi wa 26 Myandagaro 2026, hafi igihe 8 z'ijoro, ku mutumba Nyamure, zone Gitaba, komine Rutana mu ntara ya Burunga, Mpawenayo Evariste umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD yarafashwe n'abantu bataramenyekana baca baramuzibura imbugita munda mugihe yari atashe avuye mu bunywero bw'aho kwivuna akanyota.Uwo yacumiswe yaratwawe vyihuta ku bitaro vyo mu Rutana aho ariko aravurirwa.

**Ingingo z'agahotoro zafashwe n'ubutegetsi bwa komine Kirundo n'ububasha bwo kugenzura ingendo z'abantu bwahawe Imbonerakure.**

Kuwa 26 Myandagaro 2026, mu Kirundo, musitanteri wa komine, Ndikuriyo Jean Berchmans, yarakoresheje inama ijanye n'umutekano ,kubera umuriro waduka mu masoko wibonekeza mu gihugu. Iyo nama yari ishingiye ku masoko yo muri komine ya Kirundo hamwe no kw' igenzurwa ry'ingendo z'abanyagihugu. Ingingo zikwirikira zarafashwe:isaha yo kwugurura amasoko yashizwe ku gihe c'isaha 12 n'igice z'agatondo,ukugara nako kukaba igihe c'isaha 11 n'igice z'umuhingamo.

Ukurenga kuri ico kirangamwanya vyose bizohanishwa ihadabu ry'amahera 50 000 F.Vyongeye,birabujijwe gukoresha umuyagankuba mu masoko.Abanyagihugu bategerezwa kuraba ko umwanya wo gukora wagabanijwe.Kw'isaha yo kugara,igiporisi hamwe n'imbonerakure babijamwo bivuye inyuma mu kugwanya umuntu wese agumaho. Kuvyerekeye igenzura ry'ingendo,uwinjira wese arandikwa gushika ku rwego rw'intara. Abantu batagira ibibaranga bazofatwa n'imbonerakure atawuvuyemwo bongere bapfungwe.

**Urudandazwa rw'inzahabu mu kinywabi rwahumaganye hamwe n' ukwiyunga kw'aba FDLR n' abasirikare b'abarundi mu Kibira, komine Mugina, intara Bujumbura**

Mu mpera z'umwaka wa 2025,ugufata igice kinini ca Kivu zose n'umuhari AFC/M23 watumye abarwanyi b'Interahamwe za FDLR bungururiza mu Burundi. Kugira banyegeze ko bavuye ku butaka bwa Kongo, abarwanyi batari ku rugamba ruhangana na M23 baradohotse ku rwano zabo muri Kongo kugira bashigikire abari mw'ishamba rya Kibira kuva muri 2026.Kuri iyi saha,abanyagihugu bo mu ma zone ya Ruhororo, Mabayi na Butahana (komine Mugina), hamwe n'abo mu mazone ya Bumba, Ndora na Rusenda (komine Bukinanyana),bafitaniye imigenderanire mu rudandazwa rwagutse bakorana n'abarwanyi,bababaha imfungurwa nabo bakababaha amahera.

Intahe nyinshi hamwe n'amatohoza bivuga ko uko guhana harimwo kandi n'ukuguza ubutare,cane cane inzahabu ziva muri Kongo,mu gihugu hagati mu Burundi hamwe no mu kibira.Mugihe bamwe mubo muri Reta hamwe n'abasirikare bagenzura urudandazwa rwemewe rw'ubutare rwose,uko kwegerana kw' abanyagihugu n'interahamwe bishobora kuguma bikomera gusumba uko vyahora.Bakwegakwezwe n' urudandazwa rutemewe rw'ubutare rudakwirikije amategeko,ruboneka ko rwinjiza cane,abanyagihugu barishira kandi bagashira akarere mu kaga k' ububisha, nk'ubunyonyezi,ukunyegezwa hakakwa amahera imiryango,ubusuma hamwe n'ubwicanyi.Ni ngombwa kwibutsa ko,kuva CNDD-FDD ishika ku butegetsi,uko kuvangana kw'abanyagihugu n' abarwanyi vyagumye bizana amabi.

Muri Myandagaro 2023,ibitero 2vyabaye mu ndwi imwe muri komine Mabayi vyaratumye hapfa intwazangabo 2 zo mu gisirikare hamwe n'uwutwara imbonerakure muri komine.Ku musi wa gatatu 26 Myandagaro 2026,umuntu atamenyekanye yarafatiwe mu Kivogero, ku mutumba Gitukura, mugihe yari agiye ku kirindiro ca FDLR kiri mu Kibira. Yari afise amahera menshi,amaterefone ngendanwa 10 hamwe n'imfungurwa.Binyuranye n'uko bahora babigenza, uwo muntu ntiyapfunzwe canke ngo abazwe n'igiporisi c'aho.Abo mw'iperereza,bafadikanije na bamwe mu baporisi b'igisirikare bakora mw'ikambi y'i Mabayi bashinzwe kugenzura icukurwa ry'inzahabu,ubwo nyene baciye bamujana i baciye bamujana i Bujumbura.

**Ugukena amazi biratuma abana bahura n'ibitero vy'ingona zo mu kiyaga Tanganyika harimwo urupfu ry'umukobwa w'imyaka kuwa 23 Myandagaro 2026 muri komine Nyanza, intara ya Burunga.**

Mu Rubindi,muri komine ya Nyanza,ukubura amazi meza bituma abahaba bakoresha amazi y'ikiyaga Tanganyika, aho itotezwa bakorerwa n'ingona rigumaho.Akaga karandagase aho hapfiriye umwana w'umukobwa w'imyaka 9,yatewe kuwa 23 Myandagaro 2026,mugihe yariko aroga imbere y'imbere yokuja gusenga. Bashwangamuwe n'induru,ababanyi baramurondeye mu bwato,ariko ikiziga ciwe catowe musi y'amarenga,cakomeretse.

Si isanganya rimwe;ibitero vy'ingona mu karere biragwiriye. Abahaba barabangamiwe,cane cane abana,iyo bagiye ku kiyaga kwoga canke kurondera amazi.Ukubura amazi meza ni ingorane ikomeye,ituma imiryango imwe imwe ibaho kubera ikiyaga ku vya nkenerwa.

Ivyo bintu ntibitahuritse:amazi y'ikiyaga arakenewe,ariko kandi arateye ubwoba kubera ingona.Urupfu rwa Marie Ange Chricia rwerekana ko ikibazo c'amazi mu Rubindi ni n'ikibazo c'umutekano ku bana.Kutaronka amazi meza akwiye hamwe no kunguma baja ku kiyaga bizogumaho.Abarongozi batera intege guhimiriza abavyeyi n'abana ku ngorane z'ikiyagaAriko, ugukinga ibitero vy'ingona bitegerezwa gufadikanya no guteza imbere ivy'amazi meza.Kubahaba,icihutirwa ni ugutora inyishu kugira bagabanye ukuzera ku mazi y'ikiyaga.Kugwiza amavomo y'amazi meza no guhimiriza abanyagihugu birakenewe.Abarongozi bategerezwa kwishura kuri izo ntambamyi zibiri:kubaronsa amazi hamwe no gukingira abanyagihugu ku vyago bijanye n'ikiyaga. Amubabaro kubera uwo mukobwa wibutsa ko ingorane y'amazi ifise inkurikizi ziteye agahinda;ku miryango ya Rubindi,ni ngombwa ko baronka amazi akingiye.

## Inzu yaturiwe muri komine Karusi,intara ya Gitega

Kuwa 23 Myandagaro 2026,ku mutumba Ruvumu, zone Buhiga, komine Karusi, intara ya Gitega,inzu y'uwitwa Mvukiye,umunywanyi wa CNDD FDD, afise imyaka 50 yaraturiwe n'abagizi ba nabi bararamenyekana icika umunyota.Kubwo ivyabona vy'aho,impene 7 zari zirimwo zose zarahiye hasha kandi na kg 40 z'ibiharage. Izo ntahe nyene zivuga ko abavyeyi batari muhira kandi abana 4 bashoboye kurokoka atanakimwe babaye. Uwo muryango wagirizwa amangetengete ariko abatware baho barashatse kunyegeza iryo bara kubera inama y'umutekano,umukuru w'umutumba yashatse kubishira ahabona yarabujijwe n' umukuru wa zone Buhiga avuga ko bisanzwe bizwi.

***I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO***

### Ukubura ibintu vya nkenerwa nk'amazi,umuyagankuba hamwe n'ibitoro muri komine Karusi mu ntara ya Gitega.

Haraciye ukwezi,abanyagihugu bo muri iyo komine bari mu bihe biteye agahinda,cane cane ku mu miji y'iyahoze ari intara ya Karusi.

Ku vyerekeye kuronswa umuyagankuba,ntibikwiye kwitwa ukuranwa kuronka umuyagankuba,kubera nta kirangamisi na kimwe cubahirizwa.Abahaba kenshi na kenshi barabura umuyagankuba amasaha arenga 24,bigatuma ubusuma bwo mw'ijoro bugwira haba mu budandarizo canke mu miryango.Ku rundi ruhande, haraciye amezi arenga 3 ayo ma zone nyene atagira amazi,kandi ikidumu ca l 20 gushika ubu kigurishwa hagati ya 1000 fbu n'ayarenga,bivanye n'aho umuntu aba.

Vyongeye,haraciye amezi arenga 2 amapompo yose y'igitoro yo muyahoze ari intara ya Karusi atagira igitoro,icatumye ibiciro biduga,amacupa ya «plastique » ya l 1,5 agurishwa guhera gushika ubu 20 000fbu, n'ayarenga,bivanye n'akarere, bigakora gutyo ku biciro vyo kwiyunguruza.

### Ukubura amazi muri komine Muyinga.

Iyo misi yanyuma,komine ya Muyinga iguma ibura amazi. Kubwo umwe mu baduhaye inkuru,ivyo vyatanguriye muri zone Muyinga,ahoari umuji.

Muri ako karere,abahaba bigana ko batarigera baronka amazi meza kuva muri Rusama y'uwu mwaka.Umwe mubaba mu gisagara avuga ko abippfuza kuronka amazi babwirizwa kuja iyo ava kuva igihe c'isaha 11 z'agatondo kandi bashobora kuvayo igihe c'isaha 7 z'umutaga.

Vyongeye,iyo ngorane iranibonekeza mu ma zone yo mu gihugu hagati.

Isoko ryacu ridomako ko ababa mu bundi burere badakoresha amazi atangwa n'ishirahamwe Regideso,ariko bayakura mu bito vya Reta.Kuri abo bahereza,naho babuze amazi ikiringo c'indwi zibiri, ubu haraciye amezi arenga 2 batagira ico kintu ntagereranywa. Abanyagihugu bo muri komine Muyinga bari mu makenga kuvyo bokora kandi batera akamo Regideso guteza imbere ubufasha bwayo.

Muri make,kubwo amasoko menshi,ukubura amazi n'umuyagankuba bikabije bivugwa biri mu makomine menshi y'igihugu,ibishobora kuba haba intambamyi ku magara y'abantu kubera uruhara mw'itunganywa ry'ivya Reta ,canke kandi bikaba intambamyi ikomeye ku burenganzira bw'imibano n'ubutunzi vy'abanyagihugu.

## II.1.UBURENGANZIRA KU BUZIMA

### II.1.1. UBWICANYI BWATEGUWE

#### II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABAKOZI BO MURI RETA

**Icuka mu gikorwa c'abaporisi i Bugendana: Umusore yarishwe**

Kuwa 25 Myandagaro 2026,hafi y'isaha icenda z' igitondo, abaporisi 6 bavuye i Bugendana barakikuje urugo rwa Joseph Bandora, abaku gacimbiri Buhoro, kari ku mutumba Gaterama, muri zone Bitare, muri komine ya Bugendana, mu ntara ya Gitega. Joseph Bandora yoba yari mu matati y'amatongo afitaniye n' uwitwa Evariste.

Kubwo amasoko yacu, Joseph Bandora yoba yararenganijwe, ivyatumye abanyagihugu bamwe bamwe bakorana kugira babuze ihagarikwa ryiwe gushika aho amatati azotaturwa n'ubutungane. Mu gihe c'icuka cakurikiye,igiporisi catanguye kurasa,bituma hapfa Nshimirimana Désiré, w'imyaka 25 , umuhungu Ndindayaha Fidel na Sinzobakwira Marie, bava kuri uyo mutumba nyene Gaterama. Munyuma,ubtabazi bukomeye bw'abaporisi bavuye Bugendana barashitse ariko ntibashoboye gufata Joseph Bandora. Hafi y'isaha imwe,abanyagihugu barugaye ibarabara rihuza Bugendana na Kibimba, bugara hirya no hino gushika inyuma y'umutaga.

Ibintu vyarafashwe mu ntoke igihe komiseri w'igiporisi mu ntara ,komiseri muri komine na musitanteri wa komine,hamwe n'ubufasha bw'abaporisi bukomeye bw' igiporisi kivuye muri komisariya yo mu ntara. Kubwo amasoko yacu,iyo abaporisi batahaseruka,ingaruka zari ku a mbi cane.

Naho biri uko,abanyagihugu babandanya basaba ko Evariste yohagarikwa kandi akarengutswa imbere y' ubutungane,kugira ahanwe ku vyo yakoze muri ayo matati kandi kugirango harwanye ayandi mabi.

#### II.1.1.2. ABANTU BISHWE KUBERA KWIHORERA

**Umugabo yacumiswe muri komine Bugendana mu ntara ya Gitega**

Umugabo yitwa Nizigiyimana Dieudonné,umunywanyi wa CNL, w'imyaka 35 ,yarishwe mw'ijoro ryo kuwa gatanu igenekerezo rya 28 2026rishira ku wagatandatu ku mutumba Gerangabo,muri zone Rwisabi,muri komine Bugendana,mu ntara ya Gitega.

Kubwo amakuru twatohoje mu babanyi biwe,amahane hagati y'uwo yishwe n'uwagirizwa ubwicanyi yoba yatanguye igihe barimu rubanza barimwo kuri uyo mutumba nyane wa Gerangabo.

Hafi y'isaha zine z'ijoro,uwikekwko ishaha zine z' ijoro,uwo yagirizwa ubwicanyi yoba yarindiriye mw'ibarabara Nizigiyimana Dieudonné,imbere yo kumukubita no kumucumita mu rubavu. Akomeretse cane,yoba yahitanywe n'ibikomere,kubw'ayo masoko nyene

Ayo makuru yemezwa na Habumukiza Floribert, arongoye zone Rwisabi.Uyo mutware avuga ko uwikekwako icaha ,azwi kw'izina rya Ndikuriyo Jean Pierre,yahgaritswe hanyuma ashirwa mu gasho ka zone Rwisabi. Kubwo iyo ndangozi amatohoza yaratanguye kugira imvo z'ubwo bwicanyi

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro 9)*

**Umugabo yishwe atemeshejwe umupanga muri komine Bururi mu ntara ya Burunga**

Umugabo w'imyaka 35 azwi nka kw'izina rya Egide Kwizera, yarakomerejwe vyo gupfa mw'ijoro ryo kuwa 24 ushira uwa kabiria kuwa 25 Myandagaro 2026 ku mutumba Muzima, muri komine Bururi, mu ntara ya Burunga.

Ku bwo amakuru wegeranije ku babanyi,amatati yoba yaradutse mu muryango.Bahamagawe n'induru, ababanyu barahashitse hanyuma boba basanze Egide Kwizera yakomeretse cane cane kw'izosi.Yoba yakomerekejwe n'umupanga,mutoya wiwe Thierry Kanteyineza, yavuzwe n'ivyabona nk'uwatemaguye mukuru we.

Umuhisi yoba ajanywe ku kigo c'ubuzima ca Buta, ariko yoba yapfiriye mu nzira. Urupfu rwemejwe n' umutware w'umutumba Muzima, Hilaire Hamenyimana avuga ko iryo bara ryoba rijanye n' amatati yo mu miryango ajanye n'amatongo. Egide Kwizera, yama asaba utwiwe two mu muryango,yoba yabisavye yaborewe,kubw'ayo masoko nyene.Umukuru w'umutumba amenyeshako kandi ko,mw'ijoro ry'uyo munsi ibara rirwa,Thierry Kanteyineza yoba yaratabaye kugira akingire nyina wabo,aho Egide yoba yarakubaguye, canke akamukubita.

### *II.1.1.3. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE*

**Ikiziga c'umugabo catowe muri komine ya Ruyigi mu ntara ya Buhumuza.**

Kuwa 29 Myandagaro 2026, ku mutumba Muyange, muri Zone Mubira yo muri komine Ruyigi, ikiziga c' umugabo caratowe mw'ishamba rikikuje ibarabara rya Mubira muri komine Ruyigi na Mubuga muri komine Gitega.Ikiziga catowe ku biromerero3 uja ahari zone Mubira n'abahita bagiye mu mirima.Ibiboneka uwo yatowe yoba yaranizwe kuko umutwe wari ukwayo.

Kubwo amasoko yacu yaho,uwo yatowe ikiziga yoba yiciwe ahandi hanyuma ikiziga ciwe coba catawe aho kuko ntiyamenyekanye muri ak karere. Intwaro muri zone Mubira aremeza iryo bara ariko twaramenyesheje ko amatohoza ariko arakorwa kugira ngo uwakoze iryo bara,imvo hamwe no kumenya ababikoze ntizamenyekanye. Umuhisi yahabwe n'intwaro zo muri komine Ruyigi.

**Ikiziga catowe muri komine n'intara ya Gitega**

Kuwa 24 Myandagaro 2026,ku mutumba Kiremera, muri komine n'intara ya Gitega, Ikiziga ca Népomucène Ntakirutimana yatowe mu mwonga wa Kiruhura.

Ku bwo ivyabona vyo mu karere,uwo yatowe ikiziga aba kuri uyo mutumba nyene,kandi yari yafashwe ariko yiba ibitungwa bitobito mu rugo rw'umugore yitwa Anitha Nshimirimana hanyuma arakubitwa ubuhiri gushika apfe n'abanyagihugu bari ngaho. Amakuru ava muri ako karere kandi yemezwa n'umukuru w' umutuba wa Kiremera. Jean Claude Mfukamensabe asigura ko abantu 3 harimwo Anitha Nshimirimana, Jacqueline Ndayishimiye na Arsène Ciza barahagaritswe hanyuma bajanwa mu gasho k' igiporisi mu Giheta ku mvo z'amatohoza

**Ikiziga catowe muri kominene Makamba mu ntara ya Burunga**

Kuwa 27 Myandagaro 2026, muri karatiye Mushasha, muri zone Kayogoro, muri komine Makamba, mu ntara ya Burunga, ikiziga c'umugabo atamenyekanye caratowe mu gitondo ca kare.

Kubwo ivyabona vyo muri ako karere,ikiziga ciwe cari gifise ibimenyetso vyerekana ko yishwe,harimwo ibikomere mu mutwe kandi ko yanizwe hakoresheje umugozi w'umusegetera. Yararambitse mu murima w' ibiti vya paruwase yitiriwe Umweranda Joseph yo mu Kayogoro. Kubwo uwurongoye zone Kayogoro, Annociate Niyomwungere,uwo yatowe ikiziga ava muri zone Dunga muri iyo komine muri iyo komine nyene yaMakamba. Iyo ndongozi yo mu ntwaro imenyesha ko uwo mugabo yicishwe n'ubuhiri.Abakoze iryo bara hamwe n'imvo z'ubwo bwicanyi ntiziramenyekana.

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA KU MUBIRI NO MUVYIYUMVIRO*

### *II.2.1. UKUBOREZWA IGUFA N'UGUFATWA BUNYAMASWA*

Abaporisi **bavunye itako ry'umumotard i Rugajo muri komine Mugina mu ntara ya Bujumbura**

Kuwa gatanu igenekerezo rya 28 Myandagaro 2026,hafi y'isaba zine, Mertus Mpayimana, umugabo w'imyaka 30 kandi serugo,yakora akazi ko kugendesha ipikipiki igihe yarahagaze ngo abaporisi barabe ko akwije ivyangombwa vyo mw'ibarabara.umuporisi yitwa Samson yagerageje kumuca amahera,yitwaza ko uwugendesha ipikipiki yanse kumuha amahera 2000 kuwa mbere igenekerezo rya 24 Myandagaro 2026. Naho uwo agendesha ipikipiki yisiguye,umuporisi yagumye amusaba kumuha amahera 90 000 Fbu.

Kubera yagumye yanka kuriha ayo mahera, Samson n'abo bakorana baciye bamwandikira igitasi kidasiguritse. Agiye kw'idirisha muri poste kuriha ihadabu,uwo agendesha ipikipiki hamwe n'umukozi wa banki babonye ibintu bidasa: amahera yanditse mu biharuro,ntahura nayanditswe mu majambo. Merthus Mpayimana gutyo yacie agenda ku kirindiro c'igiporisi ca zone Rugajo mu ntumbero yo gukosora iryo kosa.

Bumiwe n'ukumenya ko uwugendesha ipikipiki yatoye kuriha ihadabu aho gutanga igiturire bamusavye,umukuru w'ikirindiro, bita Yves, yamuteye umugere udasanzwe kw'itako,bituma avunika bunonyene. Uwo munsi,abaporisi, nkaSamson na Yves,bakoze ivyo baracidegevya.

Kubera kubura uburyo mukuronka ubuvuzi bubereye mu bitaro,uwo bavunye, yashinyiriza agenda kwivuza muba vuzi kama ba kera.Abagendesha amapiki ndetse n'ivyabona vy'ivyabaye basaba kwugurura urubanza muri sentare hamwe no kujana vyihuta kwa muganga uwo yavunywe.

### *II.2.2. UGUFATWA KU NGUVU*

**Ugufatwa ku nguvu no gukubaguro mw' Isare: uwikekwa ari mu minwe y'igiporisi**

Inkuru Umuhari Iteka waronse kuwa 24 Myandagaro 2026 ivuga ko ku mutumba Gisagara,muri zone Mubimbi, muri komine Isare, mu ntara Bujumbura, umwana akiri muto w'imyaka 16 yitwa M C M, umunyeshure wo mu mwaka wa 6 mw'ishure nshingiro rya Gisagara, yafashwe ku nguvu kuwa 8 Myandagaro hafi y'isaha zine z'ijoro na Jérémie Nkeshimana.Ivyo vyabereye mu rubanza rwabereye impande yo muhira y'uwikekwa. Jérémie Nkeshimana yahahuriye n'umukobwa imbere yokumujana iwe akamutegeka kumushurashuza.Inyuma yo kumushurashuza, yamutegetse kugenda, ariko kubera amasaha yari yagiye, uwo mukobwa yaranse gutaha mw'ijoro wenyene . Mugihe iryo bara ryagwa,umugabo w'imyaka hafi 43,se w' abana 4,nawe nyene yaraborejwe igufa hanyuma avunika itako.

Batewe amakenga n'umwanya yamaze atari muhira,abavyeyi b'umukobwa baramubajije bukeye mugatondo. Umukobwa rero yamenyesheje ko yaraye kuri uwo yikekwa. Buno nyene yajanwe ku kigo c'ubuvuzi ca Mubimbi kugira bamukurikirane,co kimwe n'uwo mugabo yakomeretse.Kuvyerekeye uwamushurashuje,yarahagaritswe hanyuma arapfungwa muri komisariya y'igiporisi mw'Isare.

### *II.3. UBURENGANZIRA KU MW'IDEGEMVYO*

### *II.3.1. UBURENGANZIRA BWO GUSHIKIRIZA IVYIYUMVIRO*

**Uburenganzira bwo kwigaragamvya vyirengagijwe na musitanteri wa komine Kayanza mu ntara ya Butanyerera**

Kuri uyu wa gatandatu ,igenekerezo rya 29 Myandagaro 2026, ishirahamwe ry'abagabo bari mu gahinda ryari ryateguye imyigaragamvyo yo kwiyamiriza amabi akorerwa abagabo. Ariko,musitsnteri wa komine ntiyabahaye uruhusha,avuga ko ishirahamwe ryategerezwa ahubwo gushira inguvu mu kutegura inyigisho zo guhimiriza biciye mu manama. Boniface Nduwimana yakiriye iyo ngingo n'umubabaro mwinshi ,mugihe amabi akorerwa abagabo ashirwa ahabona.

Ni uko rero, kubw'uwurongoye iryo shirahamwe,mu ndwi 2 ziheze,ukwisubiriza kw'amabi ateye umutima uhagaze vyaribonekeje mu karere,aho abagabo bamwe bamwe bacumiswe n'abagore babo,abandi bakanirwa, canke bagakorerwa ayandi mabi. Mu Kayanza, mu ndwi zibiri gusa,umugabo yishwe n'umugore wiwe,uwundi nawe inzu yiwe yaraturiwe,ku rwikekwe ko yoba ari umugore wiwe,hanyuma uwagatatu yakubiswe buyoka n'Imbonerakure kw' isoko,bitwaje ko yoba yagerageje kuyiturira. Musitanteri wa komine yasiguye ayo mabi abishe mu kwemeza ko ari ukwihenda,mugushimangira kukutumvikana kw'ivyo vyabaye ,mugihe umuvuduko w'ivyo bikorwa biteye bigiteye ikibazo.

### *II.3.2. UGUHAGARIKWA BIDAKURIKIJE AMATEGEKO*

**Ihagarikwa ry'abakozi 5 hamwe n'umuporisi 1 muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura**

Mw'ijoro ryo kuwa 25 Myandagaro 2026, muri zone ya Buterere,neza na neza impande y'ishure yitwa chez Rukara, muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura, harabaye ihagarikwa ry'abantu 6 harimwo abasirikare 5 n'umuporisi 1. Bagirizwa gukorana n' abarwanyi kandi bagatanga amakuru kwa Bob Rugurika, umuyobozi wa RPA na Pacifique NININAHAZWE, arongoye FOCODE. Umwe muri bo yitwa Ndikumasabo Desiré,umusirikare w'igisongerezi mu ntwazangabo afise ipete rya adjudant n'uyundi yitwa caporal-chef Manirambona Jean Marie bita kenshi James.Kubwo amakuru umuhari Iteka waronse,ni Jamesyarafise mu sakoshi yiwe impapuro zo gukorana, amakete n'imigambi ya Bob kandi ni wenyene yagiriza abandi kuko niwe abajije ubwa mbere n'igiporisi n'iperereza bo muri komine Ntahangwa aho yarapfungiwe mu minsi ibiri ya mbere. Bri mu vyumba bitandukanye,James yari wenyene mu cumba mugihe abandi 5 bari hamwe.Kuwa kane,igenekerezo rya 27 Myandagaro 2026, abo bane tutitaye ku myidondoro yabo bararekuwe hanyuma adjudant Desiré Ndikumasabo na caporal-chef Jean Marie Manirambona bungururijwe mu biro vy'iperereza impande y' isengero Ryitiriwe Regina Mundi.

## *III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

**Iyindi miriro yadutse,ingingo ziraza guhasha abayiturira**

Inzu y'umuryango ibamwo abantu 4 yaraturiwe . Iyo nzu yarahiye iratokombera mw'ijoro ryo kuwa 25 Myandagaro 2026. Uryo bara ryoba ryatanguye hafi y'isaha zibiri mu nzu iri muri karatiye Gisoro, mu muji wa Kayanza, mu ntara ya Butanyerera. Naho ababanyi bakoresheje inguvu nyishi mukuzimya umuriro, ntibabishoboye kubwo urubeye rukomeye rwatongoye ivyari mu nzu vyose. Imvo y'uwo muriro ntiramenyekana, kuko ababanyi bamenyesha ko amatara yari yacitse muri ako gace,kandi umukuru w' umuryango,umusirikare,ntiyari muhira kumvo z'akazi.

Uwo munsi nyene,umuriro waradutse kandi kw'isoko ryo mu Kinindo,riri muri zone de Kinindo, muri komine Mugere, mu ntara ya Bujumbura. Iyo mpanuka y' umuriro ryatwaye ibintu bikomeye,bishira abadandaza mu gahinda gakomeye.Indongozi zaramenyesheje ko amatohoza yatanguye kugira hamenyekane ivyateye uwo muriro. Imyidogo myinshi niyo yabarizwa mw'isoko rya Kinindo mu gitondo co kuwa kabiri.Kubwo abadandaza bari bahari,urubeya rwadutse hafi y'isaha zine z'umurango mu gice kenshi cahariwe gucuruzwamwo imatera,imbere yo kurandagaza ibindi bibanza bifatanye,bitera uruhombo rukomeye ku badandaza benshi. Abo badandaza bababajwe n'ibintu vyabo vyahiye bigatokombera kandi bakibaza ku murindi w'ivyago nk'ibi mwayo masoko.

Umuce wa mbere w'ubutabazi wahashitse inyuma hafi y'iminota 20 inyuma y'uko umuriro wadutse. Hafi inyuma y'amasaha abiri bariko barafasha,abariko barazimya barashoboye kuwuzimya ,hafi y'isaha zitandatu. Indongozi nyinshi,harimwo umushikiranganji w'ikigega ca Retan'ubutunzi,Alain Ndikumana,ndetse na Buramatari w'intara ya Bujumbura,barahishikiye kugira barabe ivyononekaye.AlainNdikumana yamenyesheje ko hakiri kare guharura neza ivyononekaye kandi yamenyesheje ko ukumenya abahuye n'ivyago hamwe n'ukumenya ivyononekaye bizomenyekana mu minsi iza. Yramenyesheje kandi ko indongozi zokoze amatohoza ku vyatumye umuriro waduka ndetse n'izindi ngorane zaduka mu masoko.

« Ico dushobora kwemera,ni uko twibaza ko iyo miriro biboneka ko atari impanuka »,vyamenyeshejwe na Alain Ndikumana, iahamagarira kurondera inzira zose kugira hamenyekane abaturira iyo miriro. Umushikiranganji w'ikigega ca Reta yaramenyesheje kandi ko Reta itegura imfashanyo ku badandaza bakozweko cane n'uwo muriro. Twobamenyesha ko isoko rya Kinindo yasubiye kwugurura kuwa gatanu mu bice bitashikiriw n'umuriro,kandi ko abakozweko n'umuriro bazorungikwa kwa komiseri w'isoko hamwe n'umukuru wa zone Kinindo kugira bashobore kubandanya imirimo yabo yo kudandaza ahandi.

Umukuru w'igihugu yamenyesheje ko azotanga agashimwe kangana imiriyoni ingana 500 Fbu ku muntu wese azotanga amakuru canke ngo akavuga abaturira ayo masoko, ivyo ashira mu bikorwa vyiterabwoba.Ubutumwa bwahawe urwaruka rw' imbonerakure rw'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD,mu mwanya w'igisabisho c'ukwezi ku murwa mukuru w'ubutunzi,i Gitega.

Ikibazo cavyutse mugihe bibazako atawaturiye umuriro ahari:kubera iki ayo mahera hamwe n'ako kazi? Vyongeye,hafashwe ko isoko rya Gitega rizokwugara isaha cumi n'imwe n'igice hanyuma iryo mu kayanza izokwugara isaha cumi na zibiri z' umugoroba.

# IV. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI

## IV. 1. UBURENGANZIRA BW'ABANA

**Ikiziga c'uruyoya catoze i Gitega**

Mu gitondo co kuwa 24 Myandagaro 2026,abanyagihugu batoye ikiziga c'uruyoya mu mwonga utandukanya karatiye Yoba na Zege, mu gisagara ca komine n'intara ya Gitega.

Kubwo isoko ryacu, ikiziga cari gifise igikomere mu mutwe.

Indongozi zo mu ntwaro zaratanze uruhusha rwo guhamba urwo ruyoya,mukumenyesha ko amatohoza azoca abandanya mu tumbero yo kumenya umuntuyoba yaravyaye hanyuma agata uruyoya inyuma yo kurwica.

# V. UGUSOZERA N'IBISABWA

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

***Kuri Reta y'u Burundi :***

1. Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga;
2. Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy'igipimo kiraba icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo;
3. Kugira amatohoza ku biziga bitorwa mu mihingo itandukanye y'igihugu kandi atanakimwe gikorwa na Reta,
4. Gufata ingingo zo gusezerera ukudahana amabi hamwe no guhasha abagirwa n' ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bakishura ivyaha vyabo.
5. Gufata ingingo zijanye no gukingira amasoko hamwe n'ayandi matungo rusangi b'ayo abantu biganzira.
6. Gusezerera ugukoresha urwaruka rw'uBurundi yongere ifate kumwe urwaruka ku mahirwe atangwa hisunzwe ibwirizwa shingiro

Uwo uri wese ubahirizwa